**IJAMBO RISHIKIRIJWE N'UMUKURU W'INAMA NKENGUZAMATEKA, NYENITEKA GERVAIS NDIRAKOBUCA, MU BIRORI VYO GUSOZERA ICESE ISASA RISANZWE RYA KIGARAMA 2025**

*Gitega, ku wa 27 Ruhuhuma 2026*

- **Nyakwubahwa Cegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka;**
- **Nyakwubahwa Cegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka;**
- **Banyakwubahwa Bakenguzamateka;**
- **Banyakwubahwa Bashikiranganji muri ngaha;**
- **Nyakwubahwa Muyobozi mwishikira wa Buramatari w'intara ya Gitega;**
- **Banyakwubahwa muserukira ibihugu vyanyu mu Burundi;**
- **Banyakwubahwa muserukira amashirahamwe mpuzamakungu akorera mu Burundi;**
- **Banyakwubahwa mwaserukiye inzego z'ubutungane;**
- **Nyakwubahwa musitanteri wa komine Gitega;**
- **Banyakwubahwa mwaserukiye inzego z'umutekano n'iz'ukwivuna abansi;**
- **Banyakwubahwa bakozi bakurubakuru murangurira imirimo mu Nama Nkenguzamateka, duhereye ku Munyamabanga Mukuru w'urwo Rwego n'icegera ciwe;**
- **Banyakwubahwa mwaserukiye ibisata bitandukanye bikorera hano ku murwa Mukuru wa Poritike;**
- **Banyakwubahwa bamenyeshamakuru;**
- **Banyakwubahwa mwese, umwe wese mu cubahiro n'iteka Imana yamuhaye;**

***Tugire amahoro, ubumwe, iterambere n'ubutungane mu gihugu cacu ciza c'Uburundi !***

**1.** Ubwa mbere na mbere, mudukundire duhere ku gukengurukira Imana Muremyi wacu yaturinze ikongera ikadushoboza kurangura neza imirimo tujejwe muri iri sasa turiko turasozera, tukaba twagumanye amagara meza twongera dukorana mu mwumvikano ntangere.

Mumfashe rero duhunde amashi menshi iyo Mana yacu mu kuyishimira!

**2.** Batumire bahire, turabahaye ikaze hano mu Ngoro y'amakoraniro y'Inama Nkenguzamateka twongera tubashimira ku kugene mudahengeshanya kwama mwitavye ubutumire bwacu. Nk'uko abakurambere bayamaze ko **akuzuye katamurikwa**, ukuntu mutwitwararika ni ikimenyetso ntabesha ko mukurikiranira hafi ibikorwa tujejwe kandi ko mudufise ku mutima.

**Banyakwubahwa Bakenguzamateka ;**
**Batumire bahire;**

**3.** Twisunze Ibwirizwa Shingiro rya Repuburika y'Uburundi mu ngingo zaryo z'192, 193, n'196, muri iri sasa risanzwe rya Kigarama 2025, Inama Nkenguzamateka yararanguye ibikorwa bitandukanye uko vyari bitegekanijwe.

**Mu bijanye no kwiga integuro z'amabwirizwa,** Inama Nkenguzamateka yarize yongera iremeza integuro z'amabwirizwa zitanu (5) mu zo twarungikiwe na Reta. Izo nteguro z'amabwirizwa zikaba ari izi zikurikira:

1) ***Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa inimero 1/12 ryo kuwa 24 Ruheshi 2025 ryerekeye amafaranga akoreshwa na Reta y'Uburundi ;***

2) ***Integuro y'ibwirizwa ryerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry'Amasezerano yashizweko umukono kw'igenekerezo rya 12 Rusama 2025 i Rabat hagati ya Reta y'Uburundi na Reta y'Ingoma ya Maroc yerekeye ikurwaho ry'ugutanga kabiri ikori ku mafaranga yinjira no gukinga ibijanye n'ukudatanga amakori uko bitegekanijwe hamwe n'ugukwepa kuriha amakori;***

3) ***Integuro y'ibwirizwa ryerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry'Amasezerano yashizweko umukono kw'igenekerezo rya 12 Rusama 2025 i Rabat hagati ya Reta y'Uburundi na Reta y'Ingoma ya Maroc yerekeye amasoko ntanganguvu;***

4) ***Integuro y'ibwirizwa rikingira ibitororokanywa vyerekeye umuntu ubwiwe ;***

5) ***Integuro y'ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro risubiramwo Ibwirizwa ryunganira Ibwirizwa Shingiro inomero 1/27 ryo kuwa 09 Kigarama 2021 rishinga imirimo y'igiporisi c'Uburundi, ingene gitunganijwe, abakigize n'ingene gikora.***

**Banyakwubahwa Bakenguzamateka ;**
**Batumire bahire;**

**4.** Twisunze ububasha duhabwa n'Ibwirizwa Shingiro mu ngingo yaryo y'192, kw'igenekerezo rya 19 Ruhuhuma 2026, twaremeje izina ry'Umupfasoni Spès-Caritas NJEBARIKANUYE, ryarungitswe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu kugira ngo aje guserukira Uburundi mu makungu.

**5. Mu vyerekeye kugenzura ibikorwa vya Reta,** muri aya mezi atatu arangiye, Inama Nkenguzamateka yaratumyeko

umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo imigenderanire n'ayandi makungu kugira atange umuco ku bibazo bifatiye kw'ishirwa mu ngiro ry'amasezerano yashizweko umukono hagati y'Uburundi n’ibihugu vy’abarabu birungikwamwo abagiye kurondera akazi hamwe n’uturusho mu vy'ubutunzi igihugu kiharonkera.

**6.** Tugiye ku rutonde rw’ibindi bikorwa twaranguye, kw'igenekerezo rya 23 Kigarama 2025, Inama Nkenguzamateka yarashikirijwe umwihwezo w’umukuru wa Sentare ijejwe kwubahiriza amatungo ya Reta ku nteguro y'ibwirizwa risubiramwo amafaranga yategekanijwe gukoreshwa na Reta mu mwaka w’2025 ushira uw’2026.

**7.** Inama Nkenguzamateka yarongeye kandi irashikirizwa, kw’igenekerezo rya 04 Ruhuhuma 2026, icegeranyo c'ivyaranguwe n'Urwego rw'Umuhuza w'Abarundi mu mwaka wa 2025, aho abakenguzamateka bamenyeshejwe ivyakozwe mu ntumbero yo gufasha umwenegihugu mu bijanye no gutatura amatati, kunywanisha, gushigikirana, gukomeza amahoro arama no kwegereza ubutegetsi abenegihugu hisunzwe Imbonakazoza y'igihugu.

**8.** Kw’igenekerezo rya 26 Nzero 2026 na ho, Umukuru w’Inama Nkenguzamateka aherekejwe n’ivyegera vyiwe hamwe n’abakenguzamateka, baritavye ibirori vy’aho abashikiranganji bashasha babiri barahira imbere ya Nyenicubahiro Umukuru w’Igihugu n’abagize Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka. Ivyo birori vyabereye mu Ngoro y’amakoraniro y’Inama Nshingamateka mu Kigobe, mu gisagara ca Bujumbura.

**Banyakwubahwa Bakenguzamateka ;**
**Batumire bahire;**

**9. Mu bijanye no kwitaba imisi mikuru ya Reta n'ibindi bikorwa vyo ku rwego rw'igihugu**, mu birori vyabereye kuri Misiyoni y'i Buganda, komine Bukinanyana y'intara ya Bujumbura bitewe iteka na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, kw'igenekerezo rya 13 Kigarama 2025, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yarifadikanije n'abayoboke b'Ishengero Adventiste ry'umusi w'indwi mu birori vyo guhimbaza imyaka 100 yari irangiye iryo Shengero ritanguye gukorera mu Burundi.

**10.** Kw'igenekerezo rya 14 Ruhuhuma 2026 naho, Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaritavye ibirori vyo guhimbaza Yubile y'imyaka 100 irangiye Iseminari ntoya y'i Mugera yitiriwe Umuryango Mweranda w'i Nazareth ishinzwe, vyabereye mu nyubakwa z'iryo shure, muri komine Bugendana yo mu ntara ya Gitega.

**11.** Kuva kw'igenekerezo rya 29 gushika ku rya 31 Kigarama 2025 naho, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'Icegera ciwe ca kabiri, barifadikanije n'izindi ndongozi z'igihugu n'abenegihugu bo mu ntara ya Bujumbura, mu gikorane c'amasengesho yo gukengurukira Imana c'imisi itatu, categuwe n'Umuryango wa Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ku kibuga c'inkino ca ETS Kamenge kiri mu gisagara ca Bujumbura.

**12.** Vyongeye, mu birori vyari bihagarariwe na Nyakwubahwa Icegera c'Umukuru w'Igihugu, kw'igenekerezo rya 05 Ruhuhuma uno mwaka, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka n'ivyegera

vyiwe, umukenguzamateka yatowe mu Ntara ya Bujumbura hamwe n'abakozi bakuru bakuru bo mu Nama Nkenguzamateka, barifadikanije n'izindi ndongozi z'igihugu, mu birori vyo guhimbaza isabukuru y'imyaka 35 yari irangiye hemejwe amasezerano y'Ubumwe bw'abarundi.

Ivyo birori vyabereye mu Ntara ya Bujumbura, Komine Mukaza, ku musozi wa Vugizo, bikaba vyahimbajwe ku civugo kivuga kiti: "**Ntitukarekure iciza twafashe, ubumwe bwacu ni bwo nkingi y'iterambere**".

**13. Mu gisata c'inkino na ho**, kuva kw'igenekerezo rya 06 gushika ku rya 16 Kigarama 2025, barongowe n'icegera ca Kabiri c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka, Abakenguzamateka baritavye inkino zahuje Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'ibihugu bigize Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko, zabereye i Kampala mu gihugu c'Ubuganda. Izo nkino zari zateguwe ku civugo kivuga kiti: "**Inkino ni igikoresho mu gutsimbataza ubucuti no gufashanya hagati y'ibihugu vyo mu Muryango wa Afrika y'Ubuseruko**".

Kabaye kandi akaryo ko gukomeza imigenderanire myiza hagati y'ibihugu vyacu, hatibagiwe no gutsimbataza imibano n'imico kama mu karere.

**14.** Mu ntumbero yo gukomeza imigenderanire, mw'iri sasa turiko turasozera, Inama Nkenguzamateka yarabaye koko urugo rutahwa kuko yarakiriye abashitsi batandukanye bahawe umubonano n'abagize Ibiro vy'Inama Nkenguzamateka. Mu bashitsi bagendeye Inama Nkenguzamateka harimwo abagize komite nshingwabikorwa mu murwi ujejwe kumenya ukuri n'ukunywanisha abarundi (CVR), uwuserukira Ibanki ya Afrika

ijejwe iterambere (BAD) mu Burundi, intumwa z’Umuryango w’ubutunzi w’ibihugu vya Afrika yo hagati (CEEAC), umukuru w'umurwi wo kumenya ukuri no kunywanisha abarundi (CVR) n’abandi.

**Banyakwubahwa Bakenguzamateka ;**
**Batumire bahire;**

**15.** Tugarutse ku ngendo abagize Ibiro vy’Inama Nkenguzamateka bakoze mu gihugu hagati, twobamenyesha ko muri aya mezi atatu arangiye, abagize Ibiro vy’Inama Nkenguzamateka bagendeye intara za Bujumbura, Burunga na Gitega aho bifadikanije n’abenegihugu mu bikorwa bitandukanye vy’iterambere rusangi. Abakenguzamateka na bo nyene baragendeye intara batowemwo.
Bari muri izo ngendo, baratekereye impanuro abenegihugu b’izo ntara ku bijanye no kuvyara ku rugero, kugira isuku, kwijukira ibikorwa vy'iterambere, kubumbatira amahoro n'umutekano, kwijukira gutera amavoka n’ikawa, gukingira ibidukikije, n’izindi mpanuro zotuma abenegihugu babaho neza.

**16.** Mu bijanye no gutsimbataza ubucuti n’izindi Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Icegera ca mbere c’Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaritavye inama igira gatatu y’abakuru b’Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka za Afrika (CoSPAL), yabereye i Rabat, mu gihugu c'Ingoma ya Maroc, kuva kw’igenekerezo rya 12 gushika ku rya 14 Kigarama 2025. Iyo nama yari yatunganijwe ku civugo kivuga kiti: "**Gushiraho amategeko ajanye n'ibihe, ashigikira iterambere yisunze impinduka z'ibihe kw'isi**".

**Banyakwubahwa Bakenguzamateka ;**
**Batumire bahire;**

**17.** Kubera ko Inama Nkenguzamateka izirikana ko **ubwenge burahurwa**, muri iri sasa turiko turasozera, Inama Nkenguzamateka yaratunganije inganda zibiri, aho kuva kw’igenekerezo rya 02 gushika ku rya 04 Kigarama 2025, abashingamateka n’abakenguzamateka bagize imirwi yamaho ijejwe ibibazo vy’ubutunzi, bari kumwe na bamwe mu bakozi b’Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka, bitavye ibikorwa vy’uruganda nkarishabwenge ku bijanye no kwiga amabwirizwa yerekeye ikoreshwa ry’amafaranga ya Reta harimwo n’ibisata vy’imibano. Urwo ruganda rwari rwateguwe n’Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zifadikanije n'Ishirahamwe ryitaho ineza y’ibibondo kw’isi UNICEF, rwabereye ku murwa mukuru w’intara ya Gitega mw’Ihoteri Accolade. Imbere yo kurangiza urwo ruganda, abari barwitavye baratanze ivyiyumviro harimwo ibijanye n’ingene uburyo bwa Reta bwokoreshwa mu muco hamwe n’uko abenegihugu bohimirizwa gutanga amakori n’amatagisi kugira ngo ubutunzi bw’igihugu bwisunnunure.

**18.** Vyongeye, abakenguzamateka na bamwe mu bakozi bo mu Nama Nkenguzamateka barakurikiranye inyigisho nkarishabwenge ku bijanye n’ubuhinga bwo gutegura no kwandika neza amabwirizwa. Uruganda rw’izo nyigisho rwatunganijwe ku magenekerezo ya 12 na 13 Ruhuhuma 2026, rwabereye mu gisagara ca Bujumbura muri komine Mukaza, mu nyubako z’**Ihoteri Best Outlook**. Abitavye izo nyigisho bararonkejwe ubumenyi bukwiye mu bijanye n’ubuhinga bwo gutegura, kwandika, gusuzuma no gusesangura amabwirizwa n’amategeko hamwe n’izindi nyandiko mperekeza.

**19.** Kw’igenekerezo rya 25 Ruhuhuma uno mwaka, Inama Nkenguzamateka yaratunganije kandi inyigisho zigenewe abakenguzamateka n'abakozi bo muri urwo Rwego ku bijanye no kwibukanya hamwe no kunonosora neza amabwirizwa n’ayandi mategeko abagenga, nta nkeka ko izo nyigisho zizobafasha kubandanya barushirizaho kurangura neza imirimo bajejwe.

**20.** Inama Nkenguzamateka yarongeye iratunganya uruganda ruhuza ba Musitanteri n’abakuru b’amanama y’amakomine, ku Murwa mukuru wa Poritike i Gitega, mu ntumbero yo kurimbura ingendo Abakenguzamateka bagize mu makomine yose agize igihugu muri Gitugutu 2025.

Tumaze guhanahana ivyiyumviro n’abo baserukira abatowe mu makomine, vyaragaragaye ko amakomine ariko aritunganya neza kugira ngo umugambi wa Reta wo kwegereza ubutegetsi abenegihugu utsimbatare, naririya ari yo nzira irashe yo guteza imbere abenegihugu.
Vyongeye, vyaribonekeje ko n’ibibazo bitabuze, ariko Inama Nkenguzamateka izobandanya ibaba hagufi mu gukurikirana ibikorwa vy’amakomine nk’uko ibirekurirwa n’Ibwirizwa Shingiro, amabwirizwa n’ayandi mategeko y’igihugu cacu. Ntitwibagiye no kubaha impanuro zitandukanye zerekeye cane cane kubandanya bitwararika abo bajejwe no kwubahiriza amabwirizwa abagenga.

**21.** Mu ntumbero yo kurimbura ko akazi kariko kagenda neza, kw'igenekerezo rya 03 Ruhuhuma 2026, ari kumwe n'ivyegera vyiwe, Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yaratunganije ikiganiro ku bakozi bose b'urwo Rwego. Muri iyo nama vyaragaragaye ko akazi kariko kagenda neza.

Umukuru w'Inama Nkenguzamateka yasozereye iyo nama asaba abakozi kubandanya kuri uwo murindi mu gukora bubahiriza amabwirizwa n'izindi ngingo mperekeza, bigishanya, bagakora buzuzanya kuko ari ba magiriranire, kandi noneho **tubiri tuvurana ubupfu**.

**Banyakwubahwa Bakenguzamateka ;**
**Batumire bahire;**

**22.** Mu bindi bikorwa vyaranguwe n'abakenguzamateka muri iri sasa ririko rirasozerwa, kw'igenekerezo ry'08 Nzero 2026, bihagarariwe n'Icegera ca mbere, abakengezamateka barashikirijwe ivyegeranyo vyavuye mu ngendo zabereye mu bihugu vyo hanze y'Uburundi hamwe n'izabereye mu gihugu hagati. Bamaze guhanahana ivyiyumviro ku bijanye n'ivyo vyegeranyo, abakenguzamateka babonye ko izo ngendo zifasha mu gukomeza ubucuti n'imigenderaniranire hamwe no kwungurana ubwenge mu bijanye no kwiteza imbere mu bisata bitandukanye.

**23.** Haruhande y'ivyo bikorwa vyose duhejeje kudondagura, twokwemeza ko Abakenguzamateka bitanze batiziganya, aho kenshi usanga mu ntara batowemwo barafashe akanya bakifadikanya n'abenegihugu mu bikorwa baba barimwo bongera barababafasha gutorera umuti ibibazo bibahanze.

**24.** Tubamenyeshe kandi ko Inama Nkenguzamateka igiye gushiraho abazokwunganira abakenguzamateka mu mirimo yabo, mu ntara zitanu (5) batowemwo, kugira bababere ijisho, bazoze barakira imyitwarariko n'ibindi bibazo bihanze abenegihugu,

hanyuma babishikirize abo batowe, na bo babishikane imbere ku babijejwe kugira bitore inyishu.

Tukaba rero dusavye abajejwe intwaro kuzokorana neza n'abo bakozi b'Inama Nkenguzamateka kugira ngo twese hamwe duterere mw'iterambere ry'igihugu n'abenegihugu, na kare **ibigiye inama bigira Imana.**

**Bubahwa Bakenguzamateka ;**
**Batumire bahire;**

**24.** Imbere yo kurangiza, twashaka twibutse Abubahwa Abakenguzamateka ko naho tugiye mu karuhuko, bidasigura ko tugiye kwicara. Tubasavye ko mwoca muja mu ntara mwatowemwo mukorane n'ababatoye, ndetse muhimirize abenegihugu kwijukira ibikorwa vy'iterambere, mwongere mubabere akarorero.

**26.** Muri iki gihe dusozereye isasa, Nyenicubahiro Umukuru w'5gihugu cacu aherutse gushingwa amabanga ahambaye yo kurongora Umuryango w'Ubumwe bwa Afrika. Ni iteka ridasanzwe ku gihugu. Turongeye kumukeza, kandi tumwipfurije kuzororanirwa muri ayo mabanga mashasha.

**27.** Mu gusozera, turangije twongera kubashimira kandi ku kugene mwitavye ibirori vy'uno musi. Murahore gutyo!

Ni no kuri aya majambo dutangaje icese isozerwa ry'isasa risanzwe rya Kigarama 2025.

**Murakoze !**

**Imana ibahezagire !**